BLENMAN
ELEMENTARY SCHOOL

1695 North Country Club Road
Tucson AZ 85716
520-232-6500

Mukakaro 15, 2020

Bakunzi ba Blenman Eagles,

Murahawe ikaze ku mwaka w'ishure 2020-2021. Mbaye ndabashimira kuba mwahisemwo Blenman Elementary nk'ishure ry'abana banyu. Twishinze gutegekanya inyigisho zigizwe no kwubahana, kwitaho umutekano no gufashanya aho abana banyu bashobora kwihweza no guhitamwo ivyo biga mu nyigisho zo ku rwego rwo hejuru zo muri porogarama ya GATE be n'inyigisho z'ubuhinga zo muri porogarama ya OMA Gold Arts. Abakozi be n'abigisha bo kuri Blenman bazokwisunga ingingo ngenderwako za CDC n'ikigo kijejwe amagara y'abantu mu karere ka Pima kugira ngo ishure ribe risukuye kandi rikingiwe neza igihe abana bazokwemererwa kugaruka kw'ishure.

Kugeza ubu, abanyeshure bazotangura inyigisho bakoresheje ubuhinga ngurukana bumenyi (internet) muhira ukwezi kwa 8 italike 10. Ukaba ugifise laptop waronse umwaka uheze ushobora kubandanya uyikoresha. Nimba warayisubije canke uri mushasha kw'ishure tuzokumenyesha igihe tuzotanga ama laptop. Gutonda kw'ishure bizotangura ukwezi kwa 8 italike 17 nkuko uwutwara Leta ya Arizona yabimenyesheje ariko bishobora guhinduka. Hari ibintu vyinshi bizohinduka kw'ishure mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibisabwa vyose n'ikigo kijejwe amagara y'abantu mu karere ka Pima mugukingira abanyeshure.

Kugira dushobore gufasha abantu kutegerana, hazoba umwitwarariko ukomeye mugihe abanyeshure baza kw'ishure n'igihe bataha muhira, intonde z'ivyirwa zizotunganywa gushasha, kandi hazotegekanya imyanya yo gukaraba ibiganza.Abanyeshure kuva muri Kindergaten gushika mu mwaka wa gatanu bazobwirizwa kwambara agafukamunwa kiretse bariko barafungura canke banywa amazi. Abanyeshure bo mu mwaka w'intango ntibategerejwe kwambara agafukamunwa. Abavyeyi n'abandi bantu bagendera ishure babwirizwa gusaba umubonano kugera bashobore kw'injira mu nyubakwa z'ishure kandi babwirizwa kuba bambaye agafukamunwa. Abavyeyi bose n'abagendera ishure bazosabwa kurindirira hanze.

Nzotegekanya mundwi ziza ibiganiro bibiri n'abavyeyi hakoreshejwe uburyo bwa Zoom kugira nishure ibibazo bafise. Birumvikana ko inyishu ziguma ziza kandi amakuru ashobora guhinduka uko tuzoza turamenyeshwa ingene ikiza c'umugera wa COVID-19 cifashe muri Arizona.

Ndizeye ko tuzogira umwaka w'ishure uhimbaye uko tubandanya dukomeza umuryango wacu hamwe no gutera intege buri munyeshure. Tuzogira ihuriro duhane indamutso kuri Zoom twigine gusubira kwugurura amashure. Amatalike n'umwanya w'ibiganiro no kwifurizanya ibihe vyiza muzobimenyeshwa bidatevye.

Musabwe kwandikisha abana banyu ku mwaka w'ishure uza mukoresheje aho musanzwe mucisha mukwandikisha abana (ParentVue). Mushobora guhitamwo inyigisho ziciye ku buhinga ngurukana bumenye (internet) canke gutonda kw'ishure muhejeje kwandikisha abana.

Murakoze, Kelly Mack, Umuyobozi